Maribyrnong City Council

INSIGURO Z'INGENE UMUNTU YOKWITABARIZA

Kirundi

Ibisata bitabara imiryango yacu

Maribyrnong CITY COUNCIL

Mu gihe ukeneye uwugutabara telefona inomero ubusa butatu (000)

Saba POLISI, ABAZIMYA UMURIRO canke UMUDUGA WUNGURUZA INDEMBE mu rurimi rw'Icongereza

Ukaba ukeneye uwugusigurira ururimi, vuga ururimi rwawe mu Congereza na "Interpreter"

Uzorindira akanya gato – NTUCE USHIRA TELEFONE HASI

Uwugusigurira ururimi azokubaza ibibazo bijanye n'ico ukeneye gutabarwamwo

Uriko uratelefona inyishu zawe zizoshikirizwa igisata ukeneye ko kigutabara

Umviriza neza ibibazo, utange inyishu zitomoye

Vuga witonda, n'ijwi rirongorotse kandi ryumvikana. Guma utekanye.

Ikintu ca mbere uzobazwa imbere y'ibindi vyose ni:

IKIBANZA urimwo

NI IRIHE hwane ry'amabarabara rikwegereye

NI IGIKI cabaye

Witegure gutanga inomero bashobora kuguhamagarako

000 EMERGENCY

POLISI

IGIHE WOHAMAGARA
- Hari umuntu umutekano wiwe ubangamiwe
- Habaye isanganya ry'umuduga
- Wikeka ko icaha kiriko kirakorwa

MU GIHE URINDIRIYE UWUTABARA
- Ntiwisuke muri izo ngorane
- Andika ivyo vyose bishobora kuba ngirakamaro

UMURIRO

IGIHE WOHAMAGARA
- Ubonye umuriro canke umwotsi
- Akuma kamenyesha ko hari umwotsi kavuze
- Umotewe n'umwotsi mu nyubakwa canke iruhande yayo

MU GIHE URINDIRIYE UWUTABARA
- Cungera ivyo vyose bishobora gutera ingorane
- Wamane hafi yawe icuma canke uburengeti bikoreshwa mu kuzimya umuriro
- Ube ufise uburyo wateguye bwo guhunga inzu yadutsemwo umuriro

** Witwararike ko akuma kamenyesha ko hadutse umwotsi gakora neza**

UMUDUGA WUNGURUZA IMBABARE

IGIHE WOHAMAGARA
- Umuntu ababara cane mu gikiriza canke mu nda
- Umuntu aravye
- Umuntu ahema nabi cane
- Hari uwaguye, uwakomeretse canke yagize isanganya

MU GIHE URINDIRIYE UWUTABARA
- Cungera ivyo vyose bishobora gutera ingorane
- Remesha umurwayi
- Ntumuhe ivyo arya canke ivyo anywa
- Tanga insiguro zose ku baje gutabara

SES

HAMAGARA INOMERO 132 500

IGIHE WOHAMAGARA
- Hari igiti cahenutse
- Igisenge c'inzu cononekaye
- Hari umwuzure w'amazi aguma aduga

MU GIHE URINDIRIYE UWUTABARA
- Cungera ivyo vyose bishobora gutera ingorane
- Tanga insiguro zose zikenewe

Inomero z'inzu yanje ni_____
Izina ry'ibarabara ryanje ni_____
Agace mbamwo ni_____
Inomero ya telefone yanje ni_____